# 86: Amaras' Umucunguzi

1. Amaras' Umucunguzi
Yakuviriye,
Yaviriy' abanyavyaha,
Ni y' agukiza.

Ref: Amaraso y' Umukiza. Yakuviriye,
Yakir'uyizere vuba: Ni y' agukiza.

2. Amaraso y' Umukiza
Ni y' agukiza,
Rek' atembe nk' uruzi ku
Mutima wawe.

3. Nah' ivyaha vyotukura
Tukutuku pe, Amaraso
Y' Umukiza Aravyeza de.

4. Amaraso yancunguye
Yanyishuriye
Imyenda yanj' ikomeye,
Nzi ko mpariwe.

5. Ubu nshiz' amanga cane
Kwinjir' ahera,
Naraciye mu cogero
Kinyoz' ivyaha.

6. Amaras' annesherezа
Ni yo ndwanisha,
Ntsinda Satani n'ivyaha
Nshobojwe na yo.

7. Amaraso y'Umuhuza
Wacu n'Imana
Ni y'atunganya, ndayaha
Icubahiro.

Visit us at burundi.indirimbo.com